Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°816 01 Ruheshi 2024

# Ikete ridasanzwe rya Papa Fransisiko ryo kugurura Yubire ya 2025



Ku wa 9 Rusama 2024, Nyenubweranda Papa Fransisiko yarasohoye ikete ridasanzwe ryo kugurura umwaka mweranda wa Yubire 2025: « Spes non confundit». Muri iryo kete, Papa asaba ukwizigira nk'ingabirano ya Yubile ya 2025 muri ino si irangwa n'intambara, ugukora ibirwanisho, ugusambura, ishari hagati yababana, inzara, ideni ibihugu bitunze bifitiye ibihugu bikenye ku bijanye n'ihidagurika ry'ibihe n'ibindi vyinshi bituma abantu bata ukwizera.

Iryo kete rigizwe n'ibice 25, ahamagarira abakristu gufasha kugarukana umwizero mu mirwi itandukanye y'abantu bari mu bihe bidasanzwe nk'abapfunzwe, inyambukira, abarwaye, abageze mu za bukuru, urwaruka rwaboshwe n'ibiyayura mutwe, abadafise akazi n'abandi.

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Dukomeze ibikorwa, ku buryo umwe wese arimbura ivyo yakoze

*Barundi, Barundikazi, Bakozi; bakoresha,*

23. Twavuze abakozi ba Reta ! Twashaka kubamenyesha ko n'abo mu gisata c'abikorera ivyabo bafitiye akamaro kanini igihugu : bafise abakozi benshi, kandi bakora ibitanga akazi kenshi, bakinjiza amahera mvamakungu, kandi tukaba tubazeyeko vyinshi muri ya Mbonakazoza y'igihugu cifashe kikigaburira mu 2040, giteye imbere mu 2060.

24. Kugira boroherwe kandi ico gisata gihurumbirwe n'abagwizatunga bacu, canke abanyamahanga bazane imitahe yo gushinga amashirahamwe, ivyo basaba igihugu twarabifashe nka nkama, ndetse ubu tukaba tuyaga tutarinze gukumburana, duhanurana i-cokorwa kugira igihugu cacu gitere imbere.

Ico ndabamenyesha ni uko Umurundi wese yotegera ko ategerezwa kwikorera ivyiwe, kugira agire umwidegemvyo mu butunzi bwiwe. Uwubonye atawumuhaye akazi, ni agerageze na we nyene yihe ico ashobora gukora kimuzanira umwimbu ashore hanyuma akikenura.

Nitwaba dushaka gutera imbere, umwe wese yigire inama y'ingene yogira umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi bwiwe.

Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o Imana yitoreye igihugu cayo nk'iragi....6
o Radio Mariya Burundi, irakwije imyaka 20 isamiranira mu Burundi....7
o Uburongozi bwiza....9
o Uburenganzira bw'umwana bwo gukingirwa....11

# Umunsi mukuru w'Isakaramentu ryeranda

## Igisomwa ca mbere: Ihunguka : 24,3-8

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ihunguka:

(*Ayo ni amaraso y'isezerano Umukama yagiriraniye namwe*)

Muri irya minsi, Musa araza, ashikiriza ishengero amajambo yose y'Umukama n'ingingo zose. Ishengero ryose ryishurira rimwe rivuga riti: «Amajambo yose Umukama yavuze tuzoyarangura.» Musa yandika amajambo yose y'Umukama. Avyuka kare mu gitondo, yubaka uruhimbi munsi y'umusozi, n'inkingi icumi na zibiri z'amabuye z'imiryango icumi n'ibiri y'Israyeli.

Hanyuma arungika imisore yo muri bene Israyeli, na yo ihereza Umukama inkuka, imushikanira n'impfizi ngo zibe imbagwa z'amahoro. Musa yakira igice c'amaraso ayasuka mu mibehe, amaraso asigaye ayamijagira ku ruhimbi. Yakira igitabu c'isezerano agisoma ishengero ryumva. Na bo bavuga bati: «Ivyo Umukama yavuze vyose, tuzobirangura, tuzobigamburuka.» Musa yakira amaraso, ayamija ku bantu, avuga ati: «Ng'ayo amaraso y'isezerano Umukama agiraniye namwe, rishingiye kuri ayo majambo yose.»

## Igisomwa ca kabiri: Abaheburayo 9,11-15

Ivyo dusoma mw'Ikete ryandikiwe Abaheburayo
(***Amaraso ya Kristu atyorora imitima yanyu***)

Ncuti zanje:

Aho Kristu amariye kuza nk'Umuherezankuka mukuru w'ivyiza twiteze, agaca mw'ihema ritubatswe n'abantu, risumbirije mu bunini no mu butungane, kuko ata co risangiye n'ivyaremwe, yinjiye rimwe risa mu ngoro, atayinjiranyemwo amaraso y'amasuguru n'ay'ibimasa, yinjiranamwo riho amaraso yiwe bwite, adutangira iciru c'imyaka yose. Kukaba nkako, niyaba amaraso y'amasuguru n'ay'ibimasa n'iminyota y'amashashi batotesha abanduye akabi bibatyorora ku mibiri bikabatagatifuza, amaraso ya Kristu atagira amahinyu, we nyene yihereje Imana ku bwa Mutima yamaho, azorushirizaho gutyorora imitima yacu, ayikuremwo ibikorwa vy'urupfu, tubone gukorera Imana nzima.

Ni co gituma ari umukandizi w'isezerano rishasha, kugira ngo urupfu rwiwe nirwacungura abacumuye mw'isezerano rya mbere, abatowe bashikire iragi ryamaho bemerewe.

## Inkuru nziza : Mariko 14,12-16.22-26

**Alléluia. Alléluia.**

*Jewe ndi wa mukate muzima wavuye mw'ijuru; uwuriye uwo mukate azokwamaho imyaka yose; vyongeye umukate nzotanga ni umubiri wanje uzanira isi ubuzima.»*

**Alléluia.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Mariko

(*Iki ni umubiri wanje. Iki ni amaraso yanje.*)

Ku musi wa mbere w'imisi mikuru y'imikate itambiye, aho babaga umwagazi w'Ipasika, abigishwa ba Yezu bamubwira bati: «Wipfuza ko tuja kutegura hehe ngo habe ari ho urira Ipasika?» Atuma rero babiri bo mu bigishwa, ababwira ati: «Nimugende mu gisagara. Muraza guhura n'umuntu yikoreye umubindi w'amazi, muraheze mumukurikire. Aho aza kwinjira, murabwire nyene urugo muti: "Mwigisha avuze ati: 'Icumba canje noriramwo Ipasika kumwe n'abigishwa banje kiri hehe'?" Araheza abereke icumba co hejuru cagutse, kirimwo ibikenewe kandi giteguye, habe ari ho mudutegurira.»

Abigishwa baragenda, hanyuma bashitse mu gisagara, basanga ibintu bimeze nk'uko yabibabwiye, baraheza bategura Ipasika.

Bariko barafungura, Yezu yakira umukate, hanyuma amaze gukenguruka, arawumanyura, arawubahereza avuga ati: «Nimwakire, iki ni umubiri wanje.» Yakira kandi igikombe, hanyuma amaze gukenguruka, arakibahereza, bakinywako bose.

Araheza ababwira ati: «Iki ni amaraso yanje y'isezerano, aza guseswa ku bwa benshi. Ni ukuri ndababwiye ko ntagisubira kunywa ikinyobwa c'umuzabibu, gushika wa musi nzosubira kukinywera mu Bwami bw'Imana.»

Bahejeje kuririmba amazaburi, baja ku Gasozi k'Imizeti.

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana ryo ku munsi mukuru w'Isakaramentu ryeranda

**« Iki ni Umubiri wanje. Iki ni amaraso yanje »**

Bakunzi b'Imana, kuri uyu munsi duhimbaza umunsi mukuru w'Isakramentu Ryeranda, aho Yezu Kristu yi-tanga wese, « Umubiri n'amaraso vyiwe », akihereza abamwera bose.

« Abeza baramuronka, ababi bakamuronka : ariko ivyo bahakura ntibisa, ni ubuzima canke urupfu. Bibera urupfu ababi, bikabera ubuzima abeza; raba nawe ingene mw'isangira rimwe havuyemwo amaherezo atandukanye. »

Ng'uyo Yezu mw'Isakramentu tugendanira, turirimbira, dutera impundu twigina mu kanyamuneza, ng'uyo uwo duhimbaza uyu munsi kw'isi yose,

Isakramentu ni igikorwa c'urukundo, yagize ku wa 4 mweranda, buca yitanga ku musaraba, ari kumwe n'abatumwa biwe, bariko barasangira, abaha itegeko ko bokwama babigira bamwibuka. Ukaristiya rero ni « Imfungurwa y'ubukiriro bw'abantu» ku bayakirana ukwemera n'umutima usukuye.

Mu gisomwa ca mbere, Imana yashatse kugaragaza urukundo rwayo mu bantu, iciye ku musavyi wayo Musa. Yaramwihereranije ku musozi wa Sinayi, imwongorera iryo ifise ku mutima kandi igomba gutekerera abanyisraeli. Imushikiriza amategeko, nawe



abwira Abanyisraeli kugira bagendereko kandi bazokwisunga, na cane cane ko bari ku rugendo, bava mu buja bagana igihugu c'isazerano.

Musa yarabayagiye ijambo ry'Umukama, nabo ngo bibuke ko barishikirijwe n'Imana yabajabukije ca kiyaga gitukura, bashirira ijwi hejuru bati : « Amajambo yose Umukama avuze, tuzoyakurikiza.» Bemeye icese ingingo zizobatuma babandanya urugendo bariko, bemeye Umukama n'ijambo ryiwe.

Niho Musa yaca atora imisore mu Banyisraeli, abashinga guhereza Umukama n'ugutanga kw'inkuka imbarwa z'udushuri. Gurtyo barangura icese ivy'Umukama yashinze kuva kera. Kandi ngo yama akingira igihugu ciwe, akagifungurira kandi akakirinda n'abansi.

Ese natwe twosubira tugatereze ijisho ku vyo twemereye Umukama igiye yatwiyereka mu kuturonsa ubuzima ! Igihe cose atuyoboje ijambo ryiwe kuko natwe dusa n'abanyisraeli kuko turi ku rugendo rutujana mw'ijuru !

Tuvyibuke, Paulo mweranda ati : « Tweho iwacu ni mw'ijuru, niho turoreranye igishika Yezu Kristu aho azoza nk'Umukiza» (Abafilipi 3,20)

Mu Nkuru nziza, batuyagiye ingene Yezu yiteguriye Pasika. Atumye abigishwa biwe, baja mu gisagara, binjira mu nzu y'umuntu, hejuru mw'igorofa, (mu muryango w'abantu), baba ariho bategura Pasika.

Yashatse kwifatanya n'abandi bayahudi kugira ahimbaze nk'abandi pasika. Ariko pasika ya Yezu iratandukanye n'iy'abandi kuko, aho abandi bahereza imbarwa niwe nyene yitanga.

«Nimwakire murye mwese : ico ni umubiri wanje » (Matayo 26,26) …. « Ni munywe mwese: iki ni amaraso yanje, amaraso y'isezerano rishasha, aza guseseka kugira ngo benshi bakire ibicumuro vyabo » (Matayo 26,27-28).

Yihereje abigishwa biwe, nabo bamwakiranye ukwemera n'urukundo rwinshi kuko yari yabanje kubategurira iryo banga mu kubigisha.

None rero turabe ko tubigirana umutima umubereye kumwakira kuko ntaho ahengeshanya kutwiha, haba mw'Ijambo atuyagira, haba mu masakramentu na cane cane isakramentu ry'Ukaristiya aho atwiha wese.

Turashobora kuza kumwakira, ku mubiri, dusa neza ariko ku mutima hari ibimubuza kutwuzuza ubwo buzima. Isuzume nawe mugenzi: mbega ntaho wegera uruhimbi rweranda wugarijwe n'inzigo, n'ishavu, n'amatati, n'ishari, n'uburyarya,n'ubusuma, udahengeshanya gushigikira ingimba, akarenganyo, n'ayandi mabi? Garura umutima ureke akwuzuze ubuzima bwiwe ! Yezu yashimye gusangira vyose n'abantu ndetse igicumuro.

Dukenguruke natwe duskikanire Imana ku vyo yaduhaye : ubuzima, ivyo dutunze vyose tubikesha Umuremyi. Tureke Yezu yishushanye muri twebwe kugira tumushikirize abandi.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ikete ridasanzwe rya Papa Fransisiko ryo kwugurura Yubile ya 2025

(Bitangurira ku rup.1




Agatangaza ukwiyubura mu kwizigira muro uyu mwaka wa Yubile 2025.

**Ni ibihe bikuru bikuru Nyenubweranda amenyesha muri iryo kete ?**

1. Papa yaramenyesheje amasabukuru abiri ahambaye muri Ekleziya Katolika. Mu mwaka wa 2033 uguhimbaza ibimpumbi bibiri Yezu avutse hamwe n'imyaka 1700 ihaciye habaye inama ya mbere y'Ekleziya yarimwo n'ayandi mashengero yabereye i Nicée.

Agasaba abakristu bo mu Buseruko n'Uburengero gukora uko bashoboye ngo itariki yo guhimbarizako Pasika: Ekleziya Katolika n'aba Orthodoxe bayihurizako.

2. Umuryango mweranda w'Isengero nkuru y'i Roma yitiriwe Petero mweranda uzokugururwa ku wa 24 Kigarama 2024. Umunsi w'Imana uzokurikira, ku wa 29 Kigarama 2024 azoce yugurura umuryango mweranda w'isengero yitiriwe Umweranda Yohani w'i Laterano.

Ku wa 1 Nzero 2025 umunsi mukuru wa Bikira Mariya Nyina w'Imana azugurura umuryango mweranda w'isengero yitiriwe Bikira Mariya Mukuru i Roma.

Ku wa 5 Nzero 2025 azugurura umuryango mweranda w'isengero yitiriwe Pawulo mweranda y'i Roma.

Iyo miryango myeranda itatu ya nyuma izoheza y'ugarwe ku wa 28 Kigarama 2025, Yubire izosozerwe n'ukugara umuryango mweranda w'isengero yitiriwe Petero mweranda ku wa 6 Nzero 2026.

3. Papa yipfuza ko ikimenyetso ca mbere c'umwizero wa Yubile coba ic'uko iyi si yugarijwe n'indwano yoronka amahoro. Agasaba abakuru b'ibibihugu guheza intambara zihuza intara n'izindi, ibihugu n'ibindi.

4. Arihweza akababazwa n'ingene abantu bahevye kwibaruka, bituma abana bagabanuka mu bihugu bimwe bimwe. Agasaba abemera, ama Reta n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike kwegera urwaruka bakarufasha gutegera akamaro ko kurondoka kugira kazoza kazorangwe n'akanyamuneza k'abana.

5. Abapfunzwe: ukubaha, agateka kabo no gukura igihano co kwica. Papa asaba ko vyobera umwizero abapfunzwe muri iyi yubile. Kugera yerekane ko abegereye, azokugururura urugi rweranda mw'ibohero.

6. Ntaguhemukira abarwaye n'urwaruka: abarwariye mu bitaro ni imuhira barakeneye nabonyene kuroswa ibimenyetso vy'umwizero. Ukwizera kurakenewe kandi ku rwaruka rubona ko idoto zabo ziriko ziratakara.

7. Oya, mu gucira imanza no kugarira imbibe inyambukira. Abantu benshi barahunga ibihugu vyabo kubera ugukumirwa, indwano, uguhohoterwa n'ibindi. Barakenewe kwakirwa bagakingirwa kandi bakaronka akazi kugira bashobore kumenyera ubuzima bushasha.

8. Muri iryo kete, Papa ntiyibagiye abantu benshi bageze mu zabukuru, babaho mu bujenyene abandi bagahebwa. Ntiyibagiye kandi abantu isinzi bakenye babura ivya nkenerwa ngo bashobore kubaho. Birababaje kubona abakene isinzi bari mu bihugu vyashize imitahe yavyo mu birwanisho, agatumirira ayo ma Reta kugira ikigega c'isi yose cofasha abakene n'abashonje aho gusesagurira amahera mu ntambara.

9. Akamaro ko kwirega n'abamisiyonari b'ikigongwe: Papa yarasubiye guhamagarira babamisiyonari b'ikigongwe yari yagenye mu mwaka mweranda w'ikigongwe c'Imana ubutumwa bwo kwiregesha.

Asaba abu-ngere gusubira kubarungika aho hose ukwizigira kwaheze naho hose agateka k'umuntu kahonyanzwe.

10. Akarorero ko gushingira intahe Kristu k'abamaratiri : Papa ahamagarira kwihweza akarorero k'abamaratiri bari no mu mashengero tudasangiye ukwemera akagaragaza icipfuzo ko ukubibukira ha-mwe vyoba vyiza.

Aheraheza asaba abazogira ingendo nyeranda bagana i Roma, kuzosengera ku birimba vya Bikira Mariya kugira bamusabe kubakingira bongere bumve ingene Bikira Mariya abaguma hafi, akabakunda urukundo rw'umuvyeyi adaheba abana biwe.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

*Patiri Noël Ntirandekura*

Ibikur. urup. 12

# Dukomeze ibikorwa, ku buryo umwe wese arimbura ivyo yakoze

(Bitangurira ku rup.1

Bakozi, Bakoresha,

25. Ntitwoheza iri jambo ata co tuvuze ku bijanye no guherekeza abagize ico bamara mu gukorera igihugu igihe bari bakibasha. Murazi mwese iyo Uburundi buvuye, kandi murazi ko, uko Abarundi bafise inyota yo kubaho neza, ni ko na Reta mvyeyi ivyipfuza. Iyi ngingo yafashwe hisunzwe ko umukozi akukuruka amaze imyaka myishi aziganirizwa, mbere ayo yaziganirijwe akaba amaze no kwunguka ayatari make.

Amashirahamwe na yo ajejwe guteganiriza kazoza abakozi, ni ayajejwe kubungabunga uwo mutigiri watanzwe n'abakozi kugira bazowuhembwe bagiye mu karuhuko k'iza bukuru. Kubera rero iyo ntumbero yaje ari nshasha ivyo bisata vyo gutegurira kazoza abakozi, ni nkuko vyabashikiriye batari bavyiteze, ari co gituma guharura bisa n'ivyabagoye, bagateba cane.

26. Murumva rero ko ari ikibazo co kwitonderwa, kuko n'Urwego Nshingwabikorwa rw'Igihugu ntirwotora amahera azokora mu mwaka muri uwo mugambi rutazi aho ruhera mu kwongerereza uwakukurutse.

Nico gi tuma tumaze kubibona uko, twategetse izo nzego zijejwe guteganiriza kazoza abakozi, ko batugirira ubu bwa vuba ibiharuro, babidushikirize bitarenze iyi ndwi nyene kugira Urwego Nshingwabikorwa rw'Igihugu rubihe intumbero yumvikana. Ni vyo bizotuma twemeza neza tutihenda ico Reta yokwongerereza, kuko ayo mwatanga mukwiteganiriza ni ayanyu, mutegerezwa kuyaronka ngo abaherekeze mu za bukuru.

Bakozi, Bakoresha,
Reka mpereze ku mpanuro :

27. Mu guheraheza nagomba nsubire ndabatangarize ko ubu twese dukora dukurikije Imbonakazoza y'Uburundi bwifashe, Uburundi buteye imbere. Dusaba ko Umurundi wese yofata nka nkama iyo ntumbero, duhereye kuri twebwe ku giti cacu, mu muryango wacu, mu kibano cacu no mu gihugu cose.

Ni co gituma tugiye gusohora agatabu kazokwerekana neza ibikenewe kugira tugire urugo rwifashe, abe ari vyo tugenda twisunga, turondera.

28. Abarundi ni incabwenge, ariko abenshi baricaranye ubwo bwenge ngo barindiriye intebe Reta ibaha, abayifise nabo ngo barindiriye dossiye iva ku mukoresha. Ubwo bwenge Imana yabahezagije, ni mubukoreshe mu guhindura isura y'igihugu, mu kwiyumvirira abenegihugu imigambi mishasha y'akanovera yobagirira akamaro, haba mu Burundi eka no mu makungu.
Ku bitwega, ntaco tutazokora kugira ngo umuntu wese mu Burundi ariko ararangura imigambi yoroherwe.Turi kumwe twese Birashoboka.

29. Ni ngaho nyene ndangirije, nsubira kwipfuriza umusi mukuru mwiza abakozi n'abakoresha bose, nongera ndabasaba ko mu mwaka uza nk'aya mango, umwe wese yoba yamaze kurimbura ivyo yakoze muri ya Mbonakazoza y'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere muri 2060.

Imana ibahezagire ;
Murakoze.

## Uguteza imbre uko Abarundi babayeho ubu kugira ngo dushikire igihugu cifashe mu mwaka w'2040 no gushikira igihugu giteye imbere mu 2060

Kuva muri Mukakaro 2023, Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Nyenicubahiro Prezida Evariste Ndayishimiye yaratangaje umugamwi « Imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040, hamwe n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060».

Iyo Mbonakazoza y'Uburundi ni inyandiko y'umugambi w'igihugu hamwe n'urukurikirane rw'ingene vyokorwa kugira hashikirwe iterambere, mu vy'ubutunzi no mu vy'imibano mu Burundi, rizofasha ab'ubu n'abazovuka muri kazoza.

Ni igikoresho gifasha mu gutunganya ibikorwa vy'iterambere muri kazoza ka kure mu gushinga imigambi nyamukuru n'uko vyokorwa mu ntumbero yo gushikira iterambere rirama.

Imbonakazoza y'igihugu yerekana kazoza, ikongera igatomora ikintu kiri hejuru y'ibihasanzwe kandi umuntu ashobora gushikira. Muri iyo ntumbero, ihangiro ry'iyi mbonakazoza yacu ni uguteza imbere uko Abarundi babayeho ubu kugira ngo dushikire igihugu cifashe mu mwaka w'2040, no gushikira igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060. Mu kubishikako, dutegerezwa kugira ishusho isobanura neza, ku buryo butomoye aho turi uyu musi nk'igihugu, aho twipfuza gushika mu mwaka w'2040 no mu mwaka w'2060, hamwe n'uko twoshikayo.

Iyo tuvuze kazoza keza, tuba dufatiye ku benegihugu bose ku bijanye n'uko babayeho mu butunzi hamwe no mw'iterambere muri rusangi. Imbonakazoza izohindura Uburundi bube

Ibikur. urup. 8

# Imana yaratoye igihugu cayo nk'iragi.

Ukwezi kwa Rusama kwahariwe Umuvyeyi Bikira Mariya kwaraye gusozerewe ku kirimba ca Bikira Mariya ku musozi wa Siyoni i Bujumbura.

Isinzi ry'abakristu bagwiriyemwo abanyamihari n'imirwi, urugendo rurerure rugizwe n'indirimbo zo kuninahaza Imana no guhayagiza Umuvyeyi Bikira Mariya, Inkuka ya Misa mukanyamuneza ntangere, ni vyo vyaranze isozerwa ry'ukwezi kwa Rusama kwahariwe Umuvyeyi Bikira Mariya. Hari ku musozi wa Siyoni Gikungu i Bujumbura, ku wa 26 Rusama 2024.

Mu gatondo ko kuri uwo musi w'Imana, abanyamihari n'imirwi, bamwe bamwe bose bafise amabendera abaranga, bahuriye ku bitaro bikuru vyo mu Kamenge, bava ngaho baduga bagana ikirimba ca Bikira Mariya i Gikungu.

Urwo rugendo rurerure rwaryohejwe n'umudiho w'ingoma n'amafanfare vy'abari mu muhari wa Chiro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura hamwe n'indirimbo zitandukanye zaterwa n'abari mu mihari n'imirwi.

Ku kurimba ca Bikira Mariya i Gikungu, abo bakristu bakiriwe na Musenyeri Evarisito Ngoyagoye, Umwungere mukuru w'Inararibonye wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ari nawe yarongoye Inkuka ya Misa y'uwo musi.

Mu gihe co kwitsa Ijambo ry'Imana, Patiri Janvier Nizigiyimana arongoye ubutumwa bw'abarayike muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, yashimikiye kw'ijambo ry'Imana ry'uwo musi, aboneraho no kugira n'ijambo atekereye abanyamihari n'imirwi kuri uwo musi udasanzwe wo gusozera ukwezi kwa Rusama kwahariwe Umuvyeyi Bikira Mariya kwahuriranye n'umusi mukuru w'Ubutatu bweranda.

Yishimikije ibisomwa vyeranda vy'uwo musi Patiri Janvier ati: « Imana yaratoye igihugu cayo nk'iragi. Mu gisomwa ca mbere co mu gitabu c'amategeko, Imana yaraherekeje umuntu mu buzima bwiwe bwose. Ariko henshi cane cane mu bugararwa, abanyislaeli baridogera Imana hanyuma Musa akabambariza akongera akabakebura. Ubu naho Imana yaje ku buryo buboneka muri Yezu Kristu. »

Ku bijanye n'Ubutatu bweranda twariko turahimbaza uwo musi, Patiri Janvier ati: « Imana iratwiyereka kandi igakora mu buryo butatu: muri Mana Data umuvyeyi yaturemye twese, muri Mana Mwana yaducunguye kandi twari dukwiye igihano aba ariwe aharwa no muri Mutima Mweranda atubamwo ataboneka ariko yavugiye mu bahanuzi kuva kera na rindi nkuko twama twabivuze muri ndemeye ko ariwe adukwegakwega ngo tumenye kandi dukunde iyo Mana tudashobora kubona n'amaso yacu, aho ubwenge bwacu busigwa iyo tutugururiye Mutima Mweranda. Ekleziya irafise ububasha n'ubutumwa bwo kugira abantu abigishwa "Gende rero mwigishe abantu bose mubabatize kw'izina rya Data n'irya Mwana n'irya Mutima Mweranda" ».

**Bikira Mariya n'Ubutatu Bweranda?**

Patiri arongoye ubutumwa bw'abarayike muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura yabandanije avuga ko Bikira Mariya afitaniye ubucuti bukomeye n'Imana ata wundi muntu n'umwe abufise.

**<u>Ubwa mbere, ni nyina w'Iman</u>**a, yavyaye Yezu Kristu ku bubasha bwa Mutima Mweranda. Nitwaba twemera Imana , tukemera Ubutatu Bweranda, tukayikunda, ni ngombwa ko dukunda na Bikira Mariya, kuko nta ndagukunda nkakwankira umuvyeyi.

**<u>Ubwa kabiri Bikira Mariya ni umuhuza w'Imana n'abantu.</u>** Kubera we no kubera ububasha bwa Mutima Mweranda twese twabatijwe twitwa abavukanyi b'Imana, abavukanye na Yezu Kristu. Paulo Mweranda yandikira abaromani, ati: "Mwararonse Mutima Mweranda yabagize ba samuragwa b'ubwami bw'Imana kumwe na Yezu Kristu."

Muca mwumva rero ko dufise umuhango ukomeye, umuhango wo gutorana ubwami bw'Imana kubera Bikira Mariya yemeye akaduha umuvukanyi mwiza, ariwe Mana , ariwe Yezu Kristu. »

Arongera ati : « Urugendo twāgize tugafatana amaboko n'indirimbo nyinshi tugana ikirimba ca Bikira Mariya ni uko twese twemeye ko turi abatumwa b'Ekleziya, tukemera ubwo butumwa bwayo bwo kwegeranya abantu bose ngo babe abigishwa ba Yezu Kristu bakunda Imana.

Iyo Mana ni Yezu Kristu yaje kuyitumenyezha. Ariko kandi murazi ko Eklziya iha ikibanza gikomeye umuvyeyi Bikira Mariya.

Hariho rero akamaro kanini ko gutunga agashapule, tukakagendana, tukama tuyaga n'umuvyeyi, nawe azoza arenyegeza atuvugira i bukama kugira ngo ibisabisho vyacu bishike ningoga ku mutima w'Imana.

Dusabe kugira ngo uwu musi mukuru udukaburire ubwenge bwo kumenya iyo Mana tuyisenge neza, tumenye aho duca hanyaruka, aho naho ni ku muvyeyi Bikira Mariya twagabanye ku musaraba.

***Kubera iki ukwezi kwa Rusama kwitirirwa Bikira Mariya?***

Ukwezi kwa Rusama kwatanguye kwitirirwa Umuvyeyi Bikira Mariya kuva mu kinjana ca 13. Mu bihugu vya buraya, ukwo kwezi guhurirana n'igihe c'iremba, aho amashurwe asambura, imisozi igashaza...

**(Biracaza)**

***Mélance NDAYIKEZE***

# Radio Mariya Burundi, irakwije imyaka 20 isamiranira mu Burundi




Foto: Chanel HARINGANJI

Ku wa 11 Rusama 2024, ku kirimba ca Bikira Mariya kiri ku Mushasha wa Gitega, harakoraniye isinzi ry'abakristu bari baje bava mu madiyoseze yose agize Ekleziya y'i Burundi mu ntumbero yo kwifadikanya na Radio Maria Burundi yari iramutse ihimbaza isabukuru y'imyaka 20 yari irangiye isamiriza Inkuru Nziza muri Ekleziya y'Uburundi ndetse no kw'isi yose.

Ivyo birori vyatanguwe n'inyigisho zitandukanye kuva ku wa 8 Rusama, aho ku musi bazirikanye inyigisho ijanye n'ukurekuriranira, irangiye haca hakurikira Inkuka ya Misa yo kurura icese ivyo birori.

Ku wa 9 Rusama, bazirikanye inyisho yo kuzirikana Umuvyeyi Bikira Mariya *«Ng'uyo Nyoko wawe»*.

Ku wa 10 Rusama, bazirikanye inyigisho ijanye n'ibikomere hamwe n'ububasha bw'igisabisho.

Ivyo birangiye, haciye hakurikira Inkuka ya Misa yo gukira no kubohoka. ibirori bica bibandaniriza ku giteramo c'ijoro ryose.

Ku wa 11 Rusama, ibirori vy'ihimbazwa icese ry'isabukuru y'imyaka 20 ya Radio Maria Burundi vyatanguwe n'igisabisho c'Inkuka ya Misa, yatanguye isaha zine zo mu gitondo, irongowe n'umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega Musenyeri Bonavanture NAHIMANA, arikumwe n'abasaseroti hamwe n'abihebeyimana batari bake.

Mu nsiguro y'Ijambo ry'Imana, Musenyeri Bonavanture NAHIMANA, yagereranije akanyamuneza k'iyo sabukuru ku bakunzi ba Radio Mariya bari aho n'akanyamuneza ka Mariya na Elizabeti igihe yamuramutsa, umwana ari mu mbanyi agaca y'ikina.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ati : «Turiko twibuka dukenguruka ivyiza Imana yadukoreye iciye kuri Radio Mariya muri iyi myaka 20 irangiye».

Agakenguruka kandi intererano y'iyo radio mu kumenyesha Inkuru Nziza ikiremwa muntu aho kiri hose.

Ni muri iyo ntumbero Musenyeri Bonavanture NAHIMANA, yasavye abakristu bose kuba abantu bakenguruka kandi bashima.

Mu vyo bakwiye gukenguruka harimwo iyo ngabire ya Radio Maria Burundi, kandi ko bakwiye kwigira inama yo kuyishigikira bimwe biboneka, kuko ivyo dufise vyose, tubikesha Imana, n'iyo Radio Maria tuyikesha Imana.

Uko gukenguruka rero, gukwiye guserukira mukwitangira no mukwihebera ubutumwa bw'iyo nsamirizi, kugira ngo rya Jambo ry'Imana rishishikare ku nyaruka rikwira isi yose. Gutyo niho iyi si izoronka rwa rukiza rwazanywe na Yezu Kristu.

Yasozereye abashikiriza umuhezagiro ati : « Imana ihezagire abakunzi bayo n'abo bose bayumviriza, ihezagire kandi namwe mwese mwaje kwifadikanya n'iyi Radio mw'ihambazwa ry'imyaka 20 iheze ivutse ».

Uwo musi mukuru kandi wari witabwe n'uwurongoye Radio Maria Kin-shasa ku murwa mukuru w'igihugu ca Congo, aho yagaragaje akanyamuneza afise kubona yishikira guhimbaza uwo musi mukuru udasanzwe kumwe na Radio Maria Burundi, ati: «N'agahimbare kadasanzwe kuri jewe.

Ibik. urup. 12

## Uguteza imbre uko Abarundi babayeho ubu kugira ngo dushikire igihugu cifashe mu mwaka w'2040 no gushikira igihugu giteye imbere mu 2060

(Bitangurira ku rup.5)

igihugu giteye imbere, cifashe neza, aho abantu babayeho neza mu bijanye n'umwimbu baronka canke uko baronswa ivyo bakenera.

Ivyiyumviro vyose nyamukuru dusangamwo bituma Umurundi ashobora kuramba kw'isi hamwe no gushikira iterambere rirama mu vy'ubutunzi. Kugira imbonakazoza y'igihugu bisigura gushiraho uburyo butandukanye n'indinganizo y'ibikorwa bizodushikana kw'ihangiro ry'iterambere twipfuza.

Iyi mbonakazoza irimwo imigambi mikuru mikuru izohuza ibitegekanywa muri kazoza ka hafi n'aka kure. Ishusho y'uko bitegekanijwe izoheza igaburwe mu migambi n'ibikorwa bijana mw'iterambere rirama.

Ishirwa mu ngiro ry'iyi mbonakazoza risaba uguhimiriza urugero rw'irwiririrana ry'abenegihugu rujanye no gutunganya neza ibiriho, hamwe no guteza imbere ubumenyi bw'abenegihugu ku buryo baronka ikibanza ciza mubaronswa akazi haba mu gihugu hagati canke hanze y'igihugu.

Nk'igihugu, dutegerezwa guhagarika kwama twiboheye ku vyago vya kahise vyaranze Uburundi, ahubwo duhindukirize amaso kuri kazoza n'amahirwe turonswa muri iki gihugu cacu, mu karere kacu, no kw'isi yose.

Turakeneye guhindura ivyiyumviro tugashira imbere ugukunda igihugu, ugukunda ibikorwa, ukwigenga no kwiyubahiriza kuruta vyose.

Ugushitsa iyo mbonakazoza bisaba ko umwe wese ayigira iyiwe kugira bose babigiremwo uruhara nk'abenegihugu, abadaharanira inyungu za poritike, abikorera utwabo, amashirahamwe ategamiye Reta, amakungu hamwe n'abo dufashanya mw'iterambere.

Ugushitsa iyo mbonakazoza bizosaba kandi ko haba akaryo keza gatuma haba amahoro n'itunganywa ryiza rirama ry'ivya poritike. Kubera ivyo, Uburundi buzobandanya kuba imbere mu bijanye n'umutekano hamwe n'ukwivuna abansi, hisunzwe amasezerano yo mu karere.

Duhamagariye Abarundi bose gukora mu ntumbero yo kuba abazana impinduka, n'abatuma igihugu gitera imbere bishemeye.

Muri iyo ntumbero, nta nkeka ko «Imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060» izoshikana Abarundi mw'iterambere, kuko:« Turi kumwe twese, birashoboka».

Umukuru w'igihugu

**Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE**

*Ndongozi y'Uburundi*

# Ibimenyetso - mfatiro vy'igihugu cifashe

Ijambo « Igihugu cifashe» ni imvugo nshasha ikoreshwa mu kudondora i-gihugu kiri k'umuvuduko munini w'iterambere, utuma hagabanuka urgero rw'ubutandukane bw'ico gihugu n'ibihugu biteye imbere.

Ibihugu vyifashe birangwa ahanini n'itunganywa ryiza ry'ibikorwa vy'iterambere ku rwego rw'igihugu, igihugu gitunganijwe neza ku buryo burama mu vya poritike n'inzego ndongozi, ingingo n'ibintu bibereye vyorohereza abarwizatunga, hamwe n'umurindi munini w'iterambere mu gisata c'amahinguriro.

Ubutunzi bw'ibihugu vyifashe burangwa n'ibiharuro mfatiro vy'ingero y'iterambere mu butunzi, umwimbu-mfatiro wa buri mwenegihugu (PIB: Umwimbu-mfatiro kuri buri munyagihugu) uri ku rugero rwo hejuru (umwimbu ushimishije) hamwe n'uruhara rw'ibisata mw'iyongerekana ry'umwimbu wa buri mwenegihugu mu gisata c'amahinguriro n'ibindi bikorwa bitandukanye.

N'ubwo igice kiraba ivy'«ubutunzi » ari co ciganje kandi kikaba kidahara mw'iterambere, Uburundi bufatira iciyumviro c'iterambere ku ndondoro itangwa n'ikigo gikurikirana iterambere muri Afrika (OBEMA: Umugwi ukurikiranira hafi iterambere rya Afrika) kigifata ico gice nk'ikintu gifatira ku bintu vyinshi no mu mpande nyinshi. Muri iyo ntumbero nyene, iterambere rifatirwa ku nyungu nyawibonekeza za bose.

Mu yandi majambo, iterambere ni urugendo aho usanga iterambere mu vy'ubutunzi bw'igihugu rivamwo inyungu zisangiwe n'abantu bose bagize ikibano, aho usanga inzego zishinze imizi.

Mu vyegeranyo vyaco, OBEMA yerekana Uburundi nk'igihugu gi¬se amahirwe yo kuba igihugu cifashe, ni ukuvuga, igihugu naho gi¬se ibikenewe hamwe n'ubushobozi bukomeye, ariko butarashobora kubikoresha nk'uko bibereye kugira bushike kw'iterambere bwipfuza.

Icipfuzo c'Uburundi, biciye muri iki gicapo c'imbonakazoza, ni ugushira mu ngiro ibishoboka vyose Uburundi bufise kugira bibushikane ku gihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060.

**Biracaza**

*Ndongozi y'Uburundi*

# Uburongozi bwiza



Foto: Chanel HARINGANJI

**Intangamarara**

Inama Nkuru ya Vatikano II yarihweje ibibazo bitari bike biraba ubuzima bw'abantu. Ntiyasize inyuma ikijanye n'akamaro ntangere k'inyigisho mu buzima bw'umuntu n'uruhara rwazo mw'iterambere ry'igihe ca none.

Kugira ngo inyigisho zishikire abo zigenewe, ishure rifise uruhara ruhambaye kuko ni kw'ishure abarerwa bavoma ubumenyi, bigira imico n'imigenzo myiza, bakunga ubucuti n'umubano mwiza n'abandi bakahakura abagenzi, bakahitegurira mbere n'ukuzorangura amabanga bazoshingwa muri kazoza.

Abarezi babafasha bafise ubutumwa buhambaye bw'ukuramurira igihugu, Ekleziya n'amakungu. Basabwa kwitanga mu kurangura iryo banga. Mu vyo bokoresha harimwo ibijanye n'uburongozi bwiza n'imvugo itababaza ifasha abantu kubana neza kugira ngo bashike kw'ihangiro bihaye bagiwe imbere n'umuyobozi, tutibagiye gukunda umurimo Imana yabashinze.

## I. Uburongozi bwiza

*Uburongozi bwiza muri rusangi*

Duhereye ku ndangurakintu y'ijambo «uburongozi», dusanga rifise insiguro nyinshi kandi rikoreshwa mu bisata vyose vy'ubuzima bw'abantu, tutibagiye mu gisata c'indero.

Twovuga rero ko uburongozi ari igikorwa co gufasha abantu kugira intumbero imwe no gukora ibikenewe kugira ngo bayishikeko canke, igikorwa c'ugufasha abantu kugira ngo bakore ibikorwa bituma bashikira inyungu rusangi kandi babikore babikunda, canke mbere igikorwa co gushinga intumbero nyamukuru, gufata ingingo z'ibikorwa bikenewe kugira ngo bashike kw'ihangiro bihaye, mu gufasha abantu kurangura ibikorwa bigamije gushira mu ngiro izo ngingo.

Mu majambo make twumvise uburongozi twozirikana ko hari umurongozi aja imbere y'abandi, abo arongoye, ihangiro bategerezwa gushikako; umurongozi agaheza agasigurira abo arongoye ingene bazoshika kw'ihangiro bihaye.

Hari ibintu bine bihambaye bifasha mu burongozi bwiza ariko tutokwitiranya n'uburongozi. Na vyo ni: ikibanza umurongozi arimwo, icubahiro, itunga (amafaranga), canke kuba incabwenge.

**Ikibanza umurongozi arimwo:**

Umurongozi ntagirwa umurongozi mwiza n'ikibanza arimwo. Ahubwo, umurongozi mwiza ashikanwa mu kibanza c'uburongozi n'uko yagaragaje umutima w'uburongozi hanyuma iyo ari mu kibanza kimuha ububasha bwo gufata ingingo zikomeye agaheza akagirira akamaro bandi bamuhanze amaso mu gushika kw'ihangiro ribateza imbere.

**Icubahiro:**

Umuntu arashobora kwitwa nyakwubahwa ariko ata mbonakazoza afitiye abo arongoye, ata n'intumbero zigaragara afise yipfuza kubashikanako.

Ariko ntitwobideha; icubahiro kirakenewe kuko gifasha umurongozi kugira ububasha bwo gufata ingingo, gutyo ikaja mu ngiro ifise ijunja.

**Itunga:**

Itunga canecane amafaranga arakenewe mu burongozi, ariko kuyafita ntibituma umuntu afita imbonakazoza ku bantu. Mu burongozi amafaranga arakene-we, nk'uburyo bw'ukurangura ibikorwa vyategekanijwe. N'uwogira ayangana iki ntiyoronka ayo agura umutima w'uburongozi atari awusanganywe canke atimenyereje bukebuke imico n'imigenzo y'uburongozi bwiza.

**Ubumenyi:**

Umuntu arashobora kuba afise impamyabushobozi nyinshi ariko ugasanga nta muco w'uburongozi afise. Ubumenyirero burakenewe cane mu burongozi; ariko kubufita ntibisigura ko umuntu aca abona kure kurusha abandi bose basigaye kuko na bo barafise ivyo bashoboye.

Mbere umurongozi abwirijwe kuja arakarisha ubwenge kubera mu gihe ca none ibintu bi-hinduka ku murindi unyaruka cane.

*Uburongozi bwiza mu mashure*

Iciyumviro c'uburongozi bwiza mu mashure cakomotse muri Reta zunze Ubumwe z'Amerika mu mpera z'ikinjana ca 20. Ihangiro nyamukuru ry'abaciyumviriye, kwari ugukora basenyera ku mugozi umwe abayobozi b'amashure, abigisha, abafise uburambe na bashasha mu murimo w'ukwigisha kugira ngo baremurure abayobozi ico gihe batunganya vyose bonyene.

**Biracaza**

**Patiri Sylvestre BARAMPAMA**
*arangurira ubutumwa mu gisata c'Ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura*

# Uburenganzira bw'umwana bwo gukingirwa

Umwana ni uwo wese afise imyaka itarashika icumi n'umunani, kiretse mu gihe hokurikizwa ayandi mategeko amufata nk'uwukuze imbere y'iyo myaka.

Umwana wese aba uwavutse ku bavyeyi bubakanye canke batubakanye arafise uburenganzira bwo gukingirwa bidasanzwe.

Mu majambo make, umwana arafise uburenganzira bwo kubaho akingiwe ivyo vyose vyohungabanya agateka n'uburenganzira vyiwe ari vyo vy'ibi :

* Gukoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwiwe,

* Gucirirwa urubanza rwo gupfa,

* Gucirirwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwiwe bwose,

* Gupfungirwa hamwe n'abantu bakuze,

* Kwumvirizwa co kimwe n'abantu bakuze mu ntahe y'icese,

* Gukoreshwa mu ntambara,

* Gukoreshwa amasaha y'ijoro mu mashirahamwe ya Reta canke y'abigenga.

Uburenganzira bw'abana bwo gukingirwa bidasanzwe butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bwo gukingira abana bidasanzwe butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana.

Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana arakingira umwana mu kudakoreshwa ibikorwa bibangamira amagara n'akazoza vyiwe.

Tubisanga mu ngingo ya 32 ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano biba vyemeye ko umwana ategerezwa gukingirwa kugira ntacurwe bufuni na buhoro kubera amaronko, ntakoreshwe akazi kotuma agira impanuka, komutesha amashure, komwononera amagara canke kakageramira iterambere ryiwe ku mubiri, mu bwenge no mu mibano.

Aya masezerano nyene hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana arakingira umwana igihe yikekwako icaha n'igihe camwagiriye.

Tubisanga mu ngingo y a 17 y'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje k'umwana yikekwako icaha adakwiye gusinzikarizwa ubuzima, ko yoronswa umushingwamanza kandi ko atopfungirwa hamwe n'abantu bakuze, hamwe n'ingingo ya 37 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana mu gace ka mbere kavuga ko ata mwana akwiye gusinzikarizwa ubuzima, gucirirwa urubanza rwo gupfa, gucirirwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwiwe bwose.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira.**

Mu Burundi, amategeko atandukanye arategekanya gukingira abana bidasanzwe. Tuja kwisunga ibiri:

* Mw'Ibwirizwa Shingiro,

* Mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa,

*Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha,

*Mu gitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi,
*Hamwe n'ibiri mw'itegeko nshikiranganji n° 630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 rituganya akazi k'abana.

***a) Mw'Ibwirizwa Shingiro.***

Amategeko mpuzamakungu twavuze aha hejuru ategekanya gukingira abana bidasanzwe, ingingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro irayinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi.

Ibwirizwa Shingiro rirakingira umwana mu kumubungabungira amagara n'umutekano vyiwe hamwe no kudakoreshwa ibikorwa bisaba inguvu nyinshi adafise.

Tubisanga mu ngingo yaryo ya 44 ivuga iti : « Umwana wese arafise uburenganzira bw'ukubungabungwa no kworoherezwa kurusha uko abayeho mu vyerekeye amagara yiwe, umutekano wiwe, ukudafatwa bunyamaswa, ugucurwa bufuni na buhoro canke gukoreshwa ku nguvu. Ku bw'ivyo, harafatwa ingingo zose zikwiye z'ukuvyubahiriza ».

Riramukingira kandi bidasanzwe ko akoreshwa mu ntambara. Bitegekanywa n'ingingo ya 45 ivuga iti : « Birabujijwe ko umwana uwo ari we wese akoreshwa mu vy'urugamba. Mu gihe c'intambara, abana bategerezwa gukingirwa ».

Mu gihe umwana yikekwako icaha canke camwagiriye bigatuma atarekurwa kwidegemvya, ategerezwa gutandukanywa n'imbohe zirenza imwaka cumi n'itandatu y'amavuka kandi agafatwa mu buryo butandukanye n'ubwo abarenza imyaka cumi n'itandatu mu kumushira mu kigo categekanirijwe kwakira bene abo bana.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umwana bwo gukingirwa

(Bitangurira ku rup.10)

Tubisanga mu ngingo ya 46 ivuga iti : « Birabujijwe gupfunga umwana kiretse ata kundi vyogenda, na ho nyene agapfungwa igihe gito gishoboka.

Umwana wese apfunzwe ategerezwa gutandukanywa n'imbohe zirenza imyaka cumi n'itandatu y'amavuka kandi agafatwa mu buryo bukwiranye n'imyaka yiwe ».

***b)Mw'ibwirizwan°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.***

Iri bwirizwa rirakingira umwana yikekwako icaha haba mu gihe c'itohoza canke mu gihe c'iburanishwa ry'urubanza. Yumviririzwa mu mwiherero. Bitegekanijwe n'ingingo ya 296 ivuga ko urubanza rurimwo umwana rutegerezwa kuburanishwa mu mwiherero, agakurikiranwa n'igisata cabigenewe cegamiye sentare nkuru y'igihugu.

***c) Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.***

Iki gitabu kirakingira umwana bidasanzwe kuko umwana atarakwiza imyaka 15 ntashobora gukurikiranwa n'ubutungane mpanavyaha. Tubisanga mu ngingo ya 28 itegekanya ko umwana atarakwiza imyaka cumi n'itanu adashobora gukurikiranwa n'ubutungane mpanavyaha. Abakorewe icaha n'abana nk'abo baronswa indishi.

Iyo umwana afise imyaka iri hagati ya 15 na 18 yagiriwe n'icaha, sentare iramugabaniriza igihano igihe icaha camwagiriye. Iyo icaha yakoze gihanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwose, umwana ahanishwa umunyororo uri hagati y'imyaka itanu n'imyaka cumi.

Mu gihe yakoze icaha gihanishwa ihadabu n'umunyororo w'imyaka myinshi ariko utangana n'ugupfungwa ubuzima bwose, ahanishwa umunyororo utarenza imyaka ine.

Igitabu c'amategeko mpanavyaha kirakingira kandi umwana mu gutegekanya ibihano kuri uwo wese abangamiye ubuzima bwiwe naho aba akiri mu nda y'umuvyeyi.

Bitegekanijwe mu ngingo ya 530 ivuga ko umukenyezi canke umwigeme akoroje inda n'impaka ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka ibiri n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo ibiri gushika ku bihumbi mirongo itanu.

Iki gitabu kirakingira kandi umwana mu guhana umuntu yagiriwe no kumukoresha ibikorwa bibangamira amagara yiwe. Tubisa-nga mu ngingo ya 545 na yo ivuga ko uwo wese akoresheje umwana ibikorwa bituma amagara yiwe canke umutekano wiwe bibangamirwa ahanishwa umunyororo uva ku myaka itatu gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo itanu gushika ku bihumbi ijana vy'amafaranga y'amarundi, nk'uko bitegekanywa n'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

d) ***Mu gitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi.***

Aya mategeko yo muri iki gitabu arakingira umwana mu gutegekanya ko ata mwana yokoreshwa mw'ijoro kandi ko uwutarashikana imyaka 16 atazokoreshwa akazi.

Tubisanga mu ngingo ya 270 ivuga ko abana badashobora gukoreshwa amasaha y'ijoro mu mashirahamwe ya Reta canke y'abigenga hamwe no mu ngingo ya 278 ivuga ko abana badashobora gukoreshwa mw'ishirahamwe iryo ari ryo ryose igihe batarakwiza imyaka 16 kiretse iyo ari ibikorwa bisanzwe bitabangamira ugukura neza kwabo, ukwiga amashure canke ngo bibangamire amagara yabo.

***e) Mw'itegeko nshikiranganji n° 630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 ritunganya akazi k'abana.***

Iri tegeko rirakingira umwana mu gutomora ibikorwa umwana afise imyaka iri hagati ya 12 na 16 ashobora gukora. Biri mu ngingo ya 6 aho ivuga ko abana bafise imyaka iri hagati ya 12 na 16 bashobora gukora ibikorwa bibayabaye nko kurera abana bavukana ; gusoroma imboga canke ivyamwa ariko bigategerezwa kutarenza ibiro 15; kuragira ibitungwa; kudandaza ibimenyeshamakuru ariko naho nyene bitegerezwa kuba bitarenza ibiro 15 hamwe n'ibikorwa bibayabaye vyarekuwe n'abagenduzi b'akazi.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abana bose bategerezwa gukingirwa ivyo vyose bibangamira ubuzima bwabo.

Abageze gukora akazi nk'uko amategeko abibategekaniriza ntibashobora gukoreshwa amasaha y'ijoro haba mu mashirahamwe ya Reta canke ay'abigenga.

Twabonye kandi ko amategeko akingira abana mu gihe c'intambara no kudakurikiranwa n'ubutungane mpanavyaha mu gihe bafise imyaka iri munsi ya 15.

Mu gihe bikekwako icaha, bategerezwa gufatwa mu buryo bukwiranye n'imyaka yabo. Iyo cabagiriye naho nyene, twabonye ko badacirirwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwabo bwose.

Vyongeye ntibapfungirwa ahari ho hose, baja-nwa mu kigo cabitegekanirijwe, aho babigisha imyuga n'inyifato ibereye, kugira ngo basubiye mu buzima busanzwe bazoshobore kwibeshaho no kubana neza n'abandi.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Radio Mariya Burundi, irakwije imyaka 20 isamiranira mu Burundi

*(Bitangurira ku rup.7*

Radio Maria Burundi na Radio naserukiye, ni zimwe kuko turi abana b'umuvyeyi umwe.

Kuba kumwe n'uno muryango w'abakunzi ba Radio Maria Burundi, hari ikinti cankoze cane ku mutima, ico naco ni ubumwe budasanzwe nabonye.

Umwungere yarahagatiwe n'absaserdoti barenga 40, aho ntituvuze abihebeye Imana mu miryango itandukanye.

Ikindi naco, umusi mukuru wabereye mu ntara hagati, abari baje kwifatanya na Radio muri uwo musi mukuru, abenshi muri bo, bari abantu bato bato, ariko bose bari bambaye umwambaro uranga Radio Maria.

Vyanyeretse ko aha mu Burundi hari urukundo, hari abantu bakunda cane Umuvyeyi.

Ni ivy'ukuri, abakunzi hamwe n'abashigikira iyi Radio n'abo gukeza cane kandi ndabasavye kudacika intege, nibakomeze cane ».

Lawurenti KAGIMBI, aserukira imbere y'amategeko Radio Maria, wewe avuga ko ku bwiwe ari igitangaza kuko birarengeye ubwenge bwacu.

Kubona hariho abantu baza gufasha mu neguro kandi bakabikorana umutima mwiza, ni igikorwa c'Umuvyeyi koko.

Ati :



Foto: Chanel HARINGANJI

« Iyi sabukuru, cabaye icitegererezo c'ingene Umuvyeyi na Radio Maria yamwitiririwe bakundwa hano mu Burundi».

Tubamenyeshe ko uwo musi ariho haca hugururwa icese igikorwa ca Mariyato na Musenyeri Bonavantura NAHIMANA, rikaba ryabaye iryambere mariyato yugururwa n'Umwungere kuva Radio Maria Burundi ibayeho.

Uwo mwungere akaba yarafashije bimwe biboneka mw'itegurwa ry'uwo musi mukuru udasanzwe wa Radio Maria Burundi.

**Icivugo c'iyo sabukuru, cari** *« Arungika ijambo ryiwe kw'isi, rikanyaruka»*. Izaburi 147

Ico civugo kikaba kandi ari ica mariyato y'uyu mwaka.

*Dusabire Radio Maria Burundi n'abakozi bayo.*

**Chanel HARINGANJI**

## Isarura rirageze: Ikirangamisi c'iyatirwa mw'ibanga ry'Ubusaserdoti muri Ekleziya y'i Burundi

| ITARIKI | PARUWASE | DIYOSEZE |
|---|---|---|
| 06/07/2024 | Cathédrale | Ngozi |
| 13/07/2024 | Bukeye | Bujumbura |
| 13/07/2024 | Makamba | Bururi |
| 13/07/2024 | Gishungo | Ruyigi |
| 13/07/2024 | Gihanga | Bubanza |
| 13/07/2024 | Gasura | Muyinga |
| 20/07/2024 | Makebuko | Gitega |
| 20/07/2024 | Musongati | Rutana |

*Ndongozi y'Uburundi*